Umugambwe Inama y'Abanyagihugu Baharanira Demokarasi

CNDD-FDD

AMATEGEKO NTUNGANYAMUGAMBWE

Yemejwe ku wa 8 Myandagaro 2004 n'Ikoraniro Kaminuza ryabereye i Gitega, asubirwamo n'Ikoraniro Kaminuza Ridasanzwe rigira kabiri ryabereye i Bujumbura ku magenekerezo ya 18 na 19 Ruhuhuma 2006.

AMATEGEKO NTUNGANYAMUGAMBWE

(Yemejwe kuwa 8 Myandagaro 2004 n'Ikoraniro Kaminuza ryabereye i Gitega, yongera guhinyanyurwa mw'Ikoraniro Kaminuza Ridasanzwe ryo ku magenekerezo ya 18 na 19 Ruhuhuma, 2006)

INTANGAMARARA

Twebwe Abagumyabanga b'Umuhari CNDD-FDD,

Twihweje ingene Abarundi bamaze imyaka myinshi basinzikajwe n'ukubura abayobozi babitaho, ukutubahirahiza amategeko vyatumye intwaro z'igikenye n'agahotoro ziganza mu Burundi, indyane z'urutavanako hagati ya beneburundi zirangwa n'ubwicanyi burengeye urugero n'igandagurwa ry'abategetsi abo bose bazira ubwoko bwabo, hamwe n'ubundi bubisha burtyoza agateka ka zina muntu;

Twihweje ishaka Abarundi bafise ryo kurwanya akarenganyo n'agacinyizo iyo bituruka hose, ari naco gituma bagaragaje ari benshi ko bashigikiye ko mu Burundi hasasagara intwaro ya Demokarasi mu gihe c'amatora y'Umukuru w'Igihugu n'ay'Abashingamateka muri Ruheshi 1993 yatumye Uburundi burongorwa ubwa mbere kuva bubaho n'Umukuru w'Igihugu yitorewe n'Abanyagihugu, Nyakubahwa Melkiyori NDADAYE;

Twihweje ko mu kiringo c'amezi atatu Abarundi baciye basubizwa mw'ihumbi mu gihe itembagazwa ry'intwaro ryo ku wa 21 Gitugutu 1993 ryahitana ubuzima bw'Umukuru w'Igihugu Melkiyori NDADAYE n'ubwa benshi mu bafasha biwe;

Twihweje ko Abarundi biyamirije iyo ngendo igayitse bagaca bafata ingingo yo gukoresha uburyo bwose mu kurwanya abashaka kunigira mu menshi demokarasi, hakaba ari naho haca hashingwa Umuhari CNDD-FDD ufise inzego za politike n'iz'igisirikare;

Twisunze Amasezerano yo guhagarika intambara yateweko umukono na Leta mfatakibanza y'Uburundi n'Umuhari CNDD-FDD i Dar es Salaam kuwa 16 Munyonyo 2003 ahimiriza ko Umuhari CNDD-FDD wohinduka ukaba Umugambwe mu gihe Intagoheka FDD zizoba zishikirijwe igihugu mu mugambi wo gushinga igisirikare c'Igihugu gishasha;

Twemeje ku mugaragaro ishaka ryacu ryo kubandanya urugamba rwa politike kugira ngo Uburundi tubugire igihugu kirangwa na demokarasi, cubahiriza agateka ka zina muntu, tukemeza kandi ku mugaragaro ishaka ryo kuyobora igihugu mu nzira y'iterambere rirama ;

Dufashe ingingo yo guhindura Umuhari wacu CNDD-FDD ngo ube Umugambwe ugengwa n'aya mategeko :

IKIGABANE CA I : ISHINGWA, IZINA N'ICICARO VY'UMUGAMBWE

Ingingo ya 1 :

Kw'igenekerezo rya 8 Myandagaro 2004, Umuhari "INAMA Y'IGIHUGU IGWANIRA DEMOKARASI – INGABO ZIGWANIRA DEMOKARASI", "CNDD-FDD" mu mpfunyapfunyo, uhindutse Umugambwe.

Ingingo ya 2 :

Umugambwe witwa "INAMA Y'ABANYAGIHUGU BAHARANIRA DEMOKARASI", "CNDD-FDD" mu mpfunyapfunyo.

Ingingo ya 3 :

1. Umugambwe "CNDD-FDD" ufise icicaro gikuru mu murwa mukuru w'Igihugu : BUJUMBURA;
2. Bikenewe kandi vyemejwe n'urwego rubijejwe, ico cicaro kirashobora kwimurirwa ahandi.

IKIGABANE CA II : ICIVUGO, AKARANGAMUTIMA, IBIMENYETSO N'INDAMUTSO VY'UMUGAMBWE

Ingingo ya 4 :

Icivugo c'Umugambwe "CNDD-FDD" ni: UBUTUNGANE-DEMOKARASI-ITERAMBERE.

Ingingo ya 5 :

Akarangamutima k'Umugambwe tugasanga mu ntumbero nyamukuru z'Umugambwe.

Ingingo ya 6 :

Ibimenyetso vy'Umugambwe "CNDD-FDD" ni ibi:

1. Ikimenyetso ciharijwe c'Umugambwe "CNDD-FDD: Inkona, yasamye, igaranzuye amababa iraba mu buryo bwayo, ifise mu nzara zayo z'ukuguru kw'iburyo inkota, mu nzara z'ukuguru kwayo kw'ibubamfu ibabi ry'umwumbati bisobekeranije.

   Ivyo navyo bikaba bisigura ibi bikurikira :

   - Inkona : Inguvu, ububangutsi n'ukutarambirwa ;
   - Inkota : Guhabuza igihugu ;
   - Ibabi ry'umwumbati : Amahoro n'iterambere kuri bose.

2. Ibendera ry'Urukiramende rwa sentimetero ijana na mirongo itanu (150 cm) z'uburebure n'ubwaguke bwa sentimetero ijana (100 cm), rigizwe n'amabara atatu ahagaze kandi angana akurikirana kuva mu bubamfu uja mu buryo gurtya : iritukura, iry'icatsi kibisi ririmwo hagati ikimenyetso ciharijwe c'umugambwe, n'iryera. Impeta ridugirizwako ziri kw'ibara ritukura;

Insiguro y'amabara :

- iritukura ryerekana urukundo rutegerezwa kugirirwa igihugu c'amavukiro kugeza n'aho ucigura. Ryerekana kandi amaraso yasesetse mu rugamba rwo guharanira Demokarasi, Ubutungane n'Agateka kuri bose hamwe n'Abanyagihugu bishwe ataco bazira ;
- iry'icatsi kibisi ryerekana umwizero ;
- iryera ryerekana amahoro.

Ingingo ya 7:

Abagumyabanga barafise indamutso yabo. Uwuramutsa avuga ati : « Tugire CNDD-FDD». Bakamwishura bati : « N'intsinzi ». Bakoresha igipfunsi c'iburyo ukuboko kuramvuye kuja imbere hasubiza hejuru ; hatumberanye n'uruhanga. Vyerekana urunani rw'inguvu zija imbere.

IKIGABANE CA III : INTUMBERO

Ingingo ya 8 :

Intumbero nyamukuru z'Umugambwe "CNDD-FDD" ni izi zikurikira :

1. Kunywanisha Abarundi;
2. Kurwanya ihonyabwoko, ukwizizira itunganywa ry'ivyerekeye igihugu, ugukumira, amacakubiri hamwe n'ugushikira ubutegetsi biciye ku gikenye ;
3. Guharanira no gutsimbataza agateka ka zina muntu, intwaro ishingiye ku mategeko no ku butungane kuri bose, guharanira no kwubahiriza demokarasi nyakuri ishingiye ku migambwe myinshi, guhimiriza Leta kwubahiriza imbibe z'igihugu, ukwikukira n'ubwigenge bw'igihugu, ukwishira n'ukwizana kw'umwe umwe wese no kuri bose, hamwe no kwihaniza amacakubiri ahagaze ku bwoko, intara, amamuko, igitsina, amadini, hamwe n'ugukoresha igikenye mu buryo ubwo aribwo bwose;
4. Gusangira ubutunzi bw'Igihugu ata buryarya ;
5. Kurondera iterambere ry'Igihugu rikomoka ku Banyagihugu rikongera rikabagarukako;
6. Kwubahiriza Amasezerano y'Ubumwe bw'Abarundi, Ibwirizwa Nshingiro, Amategeko y'Igihugu, umutekano w'Igihugu n'imico kama.

IKIGABANE CA IV : ABANYAMUGAMBWE

IGICE CA 1 : IMIRWI Y'ABANYAMUGAMBWE

Ingingo ya 9 :

Umugambwe " CNDD-FDD" ugizwe n'imirwi ikurikira :

1. Abashinze Umugambwe ;
2. Abinjira mu Mugambwe ;
3. Incuti z'Umugambwe.

Ingingo ya 10:

Abashinze Umugambwe ni abo bose bari Abagumyabanga b'Umuhari "CNDD-FDD" gushika kw'igenekerezo ryo ku wa 8 Myandagaro 2004, umusi Umuhari "CNDD-FDD" wahindutse Umugambwe.

Ingingo ya 11 :

Abinjira mu Mugambwe ni abo bose binjira mu Mugambwe kuva ushinzwe.

Ingingo ya 12 :

Abashinze Umugambwe n'abinjira mu Mugambwe bose hamwe bitwa "ABAGUMYABANGA".

Ingingo ya 13 :

Incuti z'Umugambwe ni abo bose bashigikiye imigabo n'imigambi yawo batari "ABAGUMYABANGA".

IGICE CA 2 : KWINJIRA MU MUGAMBWE

Ingingo ya 14 :

1. Umurundi wese ashikanye imyaka cumi n'umunani (18) yemera akarangamutima, imigabo n'imigambi n'Amategeko Ntunganyamugambwe, arafise uburenganzira bwo kwinjira mu Mugambwe ;
2. Uwushaka kwinjira mu Mugambwe abisaba uwurongoye Inama Nshingiro y'Abagumyabanga akemererwa na Komite y'Inama Nsingiro y'Abagumyabanga ;
3. Amaze kwemererwa ko ari "UMUGUMYABANGA", aca ahabwa ikarata y'Umugambwe.

IGICE CA 3 : IBIREKURIWE N'IBISABWA ABAGUMYABANGA

Ingingo ya 15 :

Ibirekuriwe n'ibisabwa "ABAGUMYABANGA" tubisanga mu Mategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe.

IGICE CA 4 : GUHAGARIKWA MU MABANGA NO MU MUGAMBWE

Ingingo ya 16 :

Ihagarikwa mu mabanga no mu Mugambwe bitunganijwe mu Mategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe.

Ingingo ya 17 :

Amategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe arategekanya ingene "UMUGUMYABAMGA" yirukanwa mu Mugambwe.

IKIGABANE CA V : AMAKORANIRO, INZEGO N'ABAZIGIZE

IGICE CA 1 : AMAKORANIRO N'ABAYAGIZE

Ingingo ya 18 :

Amakoraniro y'Umugambwe ni aya :

1. Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe ;
2. Inama y'Intara ;
3. Inama ya Komine ;
4. Inama y'Umutumba wa Rusansuma;
5. Inama Nshingiro y'Abagumyabanga.

1. IKORANIRO KAMINUZA RY'UMUGAMBWE

Ingingo ya 19 :

Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe nirwo rwego rukuru rw'Umugambwe.

Ingingo ya 20 :

Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe rigizwe n-aba bakurikira :

1. Abagize Komite Nkuru y'Igihugu ;
2. Abahanuzi n'Abanyamabanga b'Ubuserukizi bw'Umugambwe, Abahanuzi n'Abanyamabanga ba Komisariya Nkuru
3. Ubuserukizi bw'Intara;
4. Intumwa z'Inama ya Komine zigizwe n'Umukuru w'Umugambwe,Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba, Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka, Umukuru w'Inama ya Komine(Conseil Communal) n'Icegera ciwe, na Musitanteri, iyo basanzwe ari Abagumyabanga.
5. Ubuserukizi bw'Imihari ikomoka ku Mugambwe ku rwego rw'igihugu;
6. Abatumiwe n'Ubuserukizi bw'Umugambwe ka burorerezi .

Ingingo ya 21 :

Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe ritumirwa kandi rikarongorwa n'Umukuru w'Umugambwe. Umunyamabanga mukuru w'Umugambwe niwe asubirira Umukuru w'Umugambwe mu gihe afatiriwe n'ayandi mabanga.

2. INAMA Y'INTARA

Ingingo ya 22 :

Inama y'Intara nirwo rwego rukuru mu Ntara.

Ingingo ya 23 :

Inama y'Intara igizwe n'aba bakurikira :

1. Abagize Ubuserukizi bw'Intara ;
2. Abashingamateka n'Abakenguzamateka b'Umugambwe batowe mu Ntara ;
3. Abagumyabanga bagenywe n'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka canke Umukuru w'Inama Nkenguzamateka mu mabanga ahambaye y'Igihugu, baturuka muri iyo Ntara.
4. Intumwa z'Inama ya Komine zigizwe n'Umukuru w'Umugambwe,Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba, Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka, Umukuru w'Inama ya Komine(Conseil Communal) n'Icegera ciwe, na Musitanteri, iyo basanzwe ari Abagumyabanga.
5. Intumwa zibiri zibiri zo mu nzego z'Intara z'Imihari ikomoka ku Mugambwe;
6. Abagize Umurwi Mpanuzwajambo ku rwego rw'Intara;
7. Abatumiwe n'Ubuserukizi bw'Intara ka burorerezi.

Ingingo ya 24 :

Inama y'Intara itumirwa kandi ikarongorwa n'Umukuru w'umugambwe mu Ntara. Icegera c'Umukuru w'Umugambwe mu Ntara niwe asubirira Umukuru w'Umugambwe mu Ntara mu gihe afatiriwe n'ayandi mabanga.

3. INAMA YA KOMINE

Ingingo ya 25 :

Inama ya Komine nirwo rwego rukuru muri Komine.

Ingingo ya 26 :

Inama ya Komine igizwe n'aba bakurikira :

1. Abagize Ubuserukizi bwa Komine ;
2. Abashingamateka n'Abakenguzamateka bo mu Mugambwe, n'Abagumyabanga bagenywe n'Umukuru w'Igihugu, Umukuru w'Inama Nshingamateka canke Umukuru w'Inama Nkenguzamateka mu mabanga ahambaye y'Igihugu, baturuka muri iyo Komine.
3. Umukuru w'Inama ya Komine(Conseil Communal) n'Icegera ciwe, na Musitanteri, iyo basanzwe ari Abagumyabanga.
4. Umukuru w'Umugambwe ku mutumba;
5. Intumwa zitatu zitatu zo mu nzego za Komine z'Imihari ikomoka ku Mugambwe ;
6. Abagize Umurwi Mpanuzwajambo ku rwego rwa Komine;
7. Abatumiwe n'Ubuserukizi bwa Komine ka burorerezi.

Ingingo ya 27 :

Inama ya Komine itumirwa kandi ikarongorwa n'Umukuru w'Umugambwe muri Komine. Icegera c'Umukuru w'Umugambwe muri Komine niwe asubirira Umukuru w'Umugambwe muri Komine mu gihe afatiriwe n'ayandi mabanga.

4. INAMA Y'UMUTUMBA

Ingingo ya 28 :

Inama y'Umutumba nirwo rwego rukuru rw'Umutumba.

Ingingo ya 29 :

Inama y'Umutumba igizwe n'aba bakurikira :

1. Abagize Komite y'Umutumba ;
2. Abakuru b'Inama Nshingiro y'Abagumyabanga;
3. Intumwa imwe imwe y'Imihari n'Amashirahamwe bikomoka ku Mugambwe ku rwego rw'Umutumba;
4. Abagize Umurwi Mpanuzwajambo ku rwego rw'Umutumba.

Ingingo ya 30 :

Inama y'Umutumba itumirwa kandi ikarongorwa n'Umukuru w'Umugambwe ku Mutumba. Icegera c'Umukuru w'Umugambwe ku Mutumba niwe asubirira Umukuru w'Umugambwe ku Mutumba mu gihe afatiriwe n'ayandi mabanga.

6. INAMA NSHINGIRO Y'ABAGUMYABANGA

Ingingo ya 31 :

Inama Nshingiro y'Abagumyabanga nirwo rwego rw'Intago mu Mugambwe.

Ingingo ya 32:

Inama Nshingiro y'Abagumyabanga igizwe n'"ABAGUMYABANGA" bari hagati ya batatu na mirongo itanu, bishobotse babana hafi na hafi.

Ingingo ya 33 :

Inama Nshingiro y'Abagumyabanga itumirwa kandi ikarongorwa n'Umukuru w' Inama Nshingiro y'Abagumyabanga.

IGICE CA 2 : INZEGO N'ABAZIGIZE

Ingingo ya 34 :

Inzego z'Umugambwe ni izi :

1. Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe ;
2. Komite Nkuru y'Igihugu ;
3. Ubuserukizi bw'Intara ;
4. Ubuserukizi bwa Komine ;
5. Komite y'Umutumba;
6. Komite y' Inama Nshingiro y'Abagumyabanga.

1. IKORANIRO KAMINUZA RY'UMUGAMBWE

Ingingo ya 35 :

Abagize Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe tubasanga mu ngingo ya 20 y'aya mategeko.

2. KOMITE NKURU Y'IGIHUGU

Ingingo ya 36 :

Abagize Komite Nkuru y'Igihugu ni aba bakurikira :

1. Abagize Ubuserukizi bw'Umugambwe ;
2. Intumwa zibiri z'Inama y'Intara ;
3. Abashingamateka n'Abakenguzamateka b'Umugambwe ;
4. Abagumyabanga bagenywe n'Umukuru w'Igihugu mu mabanga ahambaye y'Igihugu (Mandataires Publics);
5. Abagumyabanga bagenywe n'Umukuru w'Inama Nshingamateka canke w'Inama Nkenguzamateka mu mabanga ahambaye y'Igihugu;
6. Abagize Umurwi Mpanuzwajambo ku rwego rw'Igihugu.

Ingingo ya 37 :

Inama ya Komite Nkuru y'Igihugu itumirwa kandi ikarongorwa n'Umukuru w'Umugambwe.

Ingingo ya 38:

Komite Nkuru y'Igihugu nirwo rwego nyobozi rw'Umugambwe.

3. UBUSERUKIZI BW'UMUGAMBWE

Ingingo ya 39 :

Ubuserukizi bw'Umugambwe bugizwe n'aba bakurikira :

1. Umukuru w'Umugambwe ;
2. Umunyamabanga Mukuru w'Umugambwe;
3. Umunyamabanga Nshingwabikorwa w'Umugambwe;
4. Ivyegera vy'Umunyamabanga Nshingwabikorwa w'Umugambwe;
5. Umuvugizi w'Umugambwe;
6. Komiseri Mukuru ajejwe Ubutunzi;
7. Komiseri Mukuru ajejwe Imibano;
8. Komiseri Mukuru ajejwe kumenyekanisha n'ugukundisha Umugambwe;
9. Komiseri Mukuru ajejwe Amategeko n'Intwaro;
10. Komiseri Mukuru ajejwe gukurikirana ubuzima bw'Umugambwe;
11. Komiseri Mukuru ajejwe Iterambere ry'Abanyagihugu;
12. Komiseri Mukuru ajejwe Kumenyesha no Guhanahana Amakuru;
13. Komiseri Mukuru ajejwe Imico kama, Inkino n'Utugenegene;
14. Komiseri Mukuru ajejwe Imigenderanire;
15. Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba bahurikiye mu Mugambwe;
16. Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka ruhurikiye mu Mugambwe;
17. Ivyegera vy'aba Komiseri, n'Ivyegera vy'Abakuru b'Imihari ikomoka ku Mugambwe.

Ingingo ya 40:

1. Harategekanijwe Abahanuzi b'Umukuru w'Umugambwe mu vyerekeye imirimo irangurirwa mu ma Komisariya Makuru, igitigiri cabo kikazogenwa hakurikijwe imirimo itegekanijwe.
2. Harategekanijwe Abahanuzi b'Umukuru w'Umugambwe mu vyerekeye imirimo irangurirwa mu mihari ikomoka ku Mugambwe.
3. Harategekanijwe muri Komisariya imwe imwe Abahanuzi n'Abanyamabanga. Igitigiri cabo kizogenwa hakurikijwe uko imirimo itegekanijwe.

Ingingo ya 41:

Ubuserukizi bw'Umugambwe nibwo buyobozi bwa Komite Nkuru y'Igihugu.

Ingingo ya 42 :

1. Ubuserukizi bw'Umugambwe burongorwa n'Umukuru w'Umugambwe ;
2. Umukuru w'Umugambwe niwe aserukira Umugambwe imbere y'Amategeko ;
3. Umunyamabanga Mukuru w'Umugambwe niwe asubirira Umukuru w'Umugambwe imbere y'Amategeko mu gihe yafatiriwe n'ayandi mabanga.

4. UBUSERUKIZI BW'INTARA

Ingingo ya 43:

Ubuserukizi bw'Intara bugizwe n'aba bakurikira :

1. Umukuru w'Umugambwe mu Ntara;
2. Icegera c' Umukuru w'Umugambwe mu Ntara;
3. Umunyamabanga Nshingwabikorwa mu Ntara;

4. Komiseri w'Intara ajejwe Ubutunzi;
5. Komiseri w'Intara ajejwe Imibano;
6. Komiseri w'Intara ajejwe kumenyekanisha n'ugukundisha Umugambwe;
7. Komiseri w'Intara ajejwe Amategeko n'Intwaro;
8. Komiseri w'Intara ajejwe gukurikirana ubuzima bw'Umugambwe;
9. Komiseri w'Intara ajejwe Iterambere ry'Abanyagihugu;
10. Komiseri w'Intara ajejwe Kumenyesha no Guhanahana Amakuru;
11. Komiseri w'Intara ajejwe Imico kama, Inkino n'Utugenegene;
12. Komiseri w'Intara ajejwe Imigenderanire;
13. Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba bahurikiye mu Mugambwe mu Ntara;
14. Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka ruhurikiye mu Mugambwe mu Ntara;
15. Ivyegera vy'aba Komiseri, n'Ivyegera vy'Abakuru b'Imihari ikomoka ku Mugambwe.

Ingingo ya 44:

Ivyegera vy'Abakomiseri b'Intara bishikirizwa n'Umukuru w'Umugambwe mu Ntara bikagenwa n'Umunyamabanga Mukuru w'Umugambwe.

5. UBUSERUKIZI BWA KOMINE

Ingingo ya 45:

Ubuserukizi bwa Komine bugizwe n' aba bakurikira :

1 Umukuru w'Umugambwe muri Komine;
2 Icegera c' Umukuru w'Umugambwe muri Komine;
3 Umunyamabanga Nshingwabikorwa muri Komine;
4 Komiseri wa Komine ajejwe Kumenyekanisha no Gukundisha Umugambwe;
5 Komiseri wa Komine ajejwe gukurikirana ubuzima bw'Umugambwe muri Komine;
6 Komiseri wa Komine ajejwe Imibano;
7 Komiseri wa Komine ajejwe Ubutunzi;
8 Komiseri wa Komine ajejwe Amategeko n'Intwaro;
9 Komiseri wa Komine ajejwe Iterambere ry'Abanyagihugu;
10 Komiseri wa Komine ajejwe Kumenyesha no Guhanahana Amakuru;
11 Komiseri wa Komine ajejwe Imico kama, Inkino n'Utugenegene;
12 Komiseri wa Komine ajejwe Imigenderanire;
13 Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba bahurikiye mu Mugambwe muri Komine;
14 Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka ruhurikiye mu Mugambwe muri Komine.

6. KOMITE Y'UMUTUMBA

Ingingo ya 46 :

Komite y'Umutumba igizwe n'aba bakurikira:

1. Umukuru w'Umugambwe ku Mutumba;
2. Icegera c'Umukuru w'Umugambwe ku Mutumba;
3. Umunyamabanga,
4. Umukuru w'Umuhari w'Abakenyererarugamba;
5. Umukuru w'Umuhari w'Urwaruka.

7. KOMITE Y'INAMA NSHINGIRO Y'ABAGUMYABANGA

Ingingo ya 47:

Komite y'Inama Nshingiro y'Abagumyabanga igizwe n'aba bakurikira :

1. Umukuru w' Inama Nshingiro y'Abagumyabanga;
2. Icegera c'Umukuru w' Inama Nshingiro y'Abagumyabanga;
3. Umunyamabanga w' Inama Nshingiro y'Abagumyabanga.

IKIGABANE CA VI : IKIRINGO C'INZEGO NYOBOZI Z'UMUGAMBWE N'UBURYO BWO KUZISHIRAHO

Ingingo ya 48:

Inzego nyobozi z'Umugambwe zifise ikiringo c'imyaka ine cisubirizwa rimwe gusa.

Ingingo ya 49:

Abagize Komite Nkuru y'Igihugu bashirwaho mu buryo bukurikira:

1. Umukuru w'Umugambwe n'Umumyamabanga Mukuru w'Umugambwe batorwa n'Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe;
2. Umunyamabanga Nshingwabikorwa w'Umugambwe n'ivyegera vyiwe, Abakomiseri bakuru n'ivyegera vyabo bagenwa n'Umukuru w'Umugambwe;
3. Intumwa z'Inama y'Intara zitorwa n'Inama y'Intara zikukira;
4. Abagize Umurwi Mpanuzwajambo w'Igihugu bagenwa n'Umukuru w'Umugambwe.

Ingingo ya 50:

Abashingamateka n'Abakenguzamateka b'Umugambwe hamwe n'abagenwe n'Umugambwe mu mabanga akomeye y'Igihugu baremerewe kuja muri Komite Nkuru y'Igihugu ata bundi buryo bukoreshejwe.

IKIGABANE CA VII : ITUNGA RY'UMUGAMBWE

Ingingo ya 51:

Itunga ry'Umugambwe rituruka aha :

1. Intererano n'akigoro vy' ABAGUMYABANGA ;
2. Inyungu zikomoka ku bikorwa vyatunganijwe n'Umugambwe ;
3. Ingabire zahawe Umugambwe n'abagiraneza canke incuti ;
4. Amahera n'ubundi butunzi vyavuye mu Muhari "CNDD-FDD".

Ingingo ya 52 :

Ivyerekeye ikoreshwa n'ibungabungwa ry'itunga ry'Umugambwe tubisanga mu Mategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe.

IKIGABANE CA VIII : IBIHANO

Ingingo ya 53 :

ABAGUMYABANGA bagirizwa inyifato ija kubiri n'aya Mategeko Ntunganyamugambwe hamwe n'Amategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe barahanwa.

Ingingo ya 54 :

Uko ibihano bifatwa tubisanga mu Mategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe.

IKIGABANE CA IX : IMIRWI ISHINZWE KWIGA IBIBAZO NKORAMUTIMA MU MUGAMBWE

Ingingo ya 55 :

Harategekanijwe imirwi ijejwe kwiga ibibazo nkoramutima mu Mugambwe.

IKIGABANE CA X : IMIHARI IKOMOKA KU MUGAMBWE N'AMASHIRAHAMWE AKUKIRA UMUGAMBWE

Ingingo ya 56 :

Harategekanijwe ishingwa ry'Imihari ikomoka ku Mugambwe hamwe n'Amashirahamwe akukira Umugambwe.

Ingingo ya 57 :

1. Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe nirwo rwego rwemeza ishingwa ry'Imihari ikomoka ku Mugambwe n'Amashirahamwe akukira Umugambwe;
2. Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe rirashobora kwemerera Amashirahamwe yasavye gukukira Umugambwe.

Ingingo ya 58:

Imihari yose ikomoka ku Mugambwe n'Amashirahamwe yose akukira Umugambwe bigengwa n'Amategeko Ntunganyabikorwa yihariye.

IKIGABANE CA XI : INGINGO MFATAKIBANZA NO GUSOZERA

Ingingo ya 59:

Aya Mategeko Ntunganyamugambwe arashobora guhindurwa canke akunganirwa n'Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe ryahamagariwe ico gikorwa.

Ingingo ya 60:

1. Ikoraniro Kaminuza ry'Umugambwe niryo ryonyene rifise ububasha bwo gusambura Umugambwe;
2. Isamburwa ry'Umugambwe "CNDD-FDD" ryemezwa n'ivya bitanu bine (4/5) vyabitavye Ikoraniro Kaminuza ryahamagariwe ico gikorwa.

Ingingo ya 61:

Mu gihe Umugambwe usambutse, itunga ry'awo rihabwa Ishirahamwe rya Politike ryisunga Demokarasi n'Iterambere kuri bose canke Ishirahamwe rirangura imirimo iteza imbere imibano y'Abanyagihugu.

Ingingo ya 62:

Izindi ngingo zose zidategekanijwe muri aya mategeko Ntunganyamugambwe tuzisanga mu Mategeko Ntunganyabikorwa y'Umugambwe no mu Mategeko agenga Imigambwe mu Burundi.

Ingingo ya 63:

1. Aya Mategeko Ntunganyamugambwe yemejwe n'Ikoraniro Kaminuza rigira gatatu ry'Umugambwe "CNDD-FDD" ryatumiwe kuri iyo mvo, rigakorana i Gitega kuva ku wa 07 gushika ku wa 08 Myandagaro 2004.

2. Aja mu ngiro kuva umusi ashiriweko umukono.

Bigiriwe i Bujumbura kw'igenekerezo rya 18 Ruhuhuma 2006.

Ku bw'Umugambwe CNDD-FDD

Hon. El-Hadj Hussein RADJABU
Umukuru w'Umugambwe.